Barundi, Barundikazi, Ncuti z'Uburundi;

1. Twagomba tubanze dushimire Imana Mushoboravyose, imwe ba sogokuruza baragiza Uburundi mu kuvuga ngo Imana yakuduhaye ikudutungire. **Turayishimiye** ingene yazigamye Uburundi n'Abarundi ijoro n'umurango, ivyo umwana w'umuntu atoshoboye.

2. Uyu musi ni umusi udasanzwe, ni umusi w'akanyamuneza kenshi ku Barundi twese. Ni umusi w'Amashimwe n'Impundu kuko Abarundi duhejeje kwongera kwitera iteka rikomeye mu gihugu no mu makungu.

3. Nkako, iri Bwirizwa Shingiro ni Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi.Rizotunganiriza Abarundi bose, abaritoye n'abataritoye, tutibagiye n'abanyamahanga. Ntihagire rero uwibaza ico uwundi yatoye canke ngo hagire uwukekeza uwundi afatiye ku co yatoye kuko iri Bwirizwa Shingiro rigiye kuba Umuhuza ahuza abatoye Ego n'abatoye Oya, abatashimye kwerekana aho bahagaze, abajuragiritse amajwi yabo akaba impfagusa, tutibagiye abatitavye amatora.
   Iri Bwirizwa Shingiro kandi rizoha uburenganzira bungana Abarundi bose ata kuvangura.

4. Abarundi bararonse Ibwirizwa Shingiro rishasha rihuye n'ivyipfuzo vyabo, inyuma yo guhinyanyura ingingo zimwe zimwe zari mw'Ibwirizwa Shingiro ryahahora ryo mu mwaka w'2005 zari zarataye igihe, izindi zigatosorwa mbere hakongerwamwo n'izindi zijanye n'igihe tugezemwo bivanye n'akarere turimwo.

5. Twagomba rero dufate aka kanya ngo tubakeze, kuko birakwiye ko mukezwa koko. Mwaraye mwerekanye umutima udasanzwe wo gukunda igihugu no kucitangira.

   Ibi bibaye ni ubwa mbere bibaye, aho mu Burundi amatora ategurwa akaba tutarinze gusabiriza imfashanyo ziva hanze kandi bizobandanya no mu yandi matora yimirije.

6. Vy'ukuri Abarundi muri abagabo babushitse koko. Ibi bikozwe kugira tuze turage abana bacu, abuzukuru n'abuzukuruza igihugu ciganzuye, gifise Iteka n'Ijambo. Uburundi bwarahabishijwe ariko ntibwigeze buhababuka.

7. Ikindi gihambaye twashaka kumenyesha, ni uko iri Bwirizwa Shingiro ritaje guhindura inzego canke guhungabanya amategeko.Inzego mwitoreye mu mwaka w'2015 nizo zizobandanya kubarongora gushika mwitoreye izizisubirira mu matora y'2020, kandi amategeko adateye kubiri n'iri Bwirizwa Shingiro azobandanya akurikizwa.

Ntihagire rero ababahuvya ngo ni Ibwirizwa Shingiro ryihutira gushiraho Umushikiranganji wa mbere n'ibindi bihuha vyinshi, ivyihutirwa cane cane ni ugutsimbataza Intahe yo Kwikukira, Iteka n'Itekane vy'Umwenegihugu hamwe no kuja ku murongo w'Ibihugu dusangiye Umuryango wa Afirika y'Ubuseruko. Ingingo y'288 hamwe n'ingingo y'290 zirabitomora neza.

Barundi, Barundikazi, Ncuti z'Uburundi;

8. Nta kintu c'agaciro dufise kiturutira Igihugu cacu (UBURUNDI). Ni co gituma dutegerezwa gukora ibishoboka vyose kugira Intahe yo Kwikukira tuyikomeze kandi tuyitsimbataze. Ubwigenge bw'Igihugu butegerezwa kwama bwubahirijwe haba muri iki gihe canke muri kazoza. Uburundi n'impetso y'Abarundi bose ata n'umwe avuyemwo.

9. Kugira Uburundi bugire rero Ijunja n'Ijambo mu makungu, si uko gusa ba kavamahanga baducura bufuni na buhoro basubiye iwabo. Ishwi da! ahubwo ni ako gateka ko kubandanya twiteza imbere mu bwigenge bwacu, tugatunganya ibijanye n'Ineza n'Iteka vy'Igihugu cacu nkuko mwaraye muvyerekanye.

10. Iki ni ikimenyetso gikomeye c'intahava cerekana ko Abarundi mumaze gutegera ico ari co Ineza, n'Iteka vy'Igihugu cacu, ko Uburundi burimwo abagabo bafise Ijunja n'Ijambo, ko intwaro ya Demokarasi iriko iratsimbatara, aho umwenegihugu afise uburenganzira ntayegayezwa bwo gufata ingingo zerekeye igihugu ciwe ata bwoba, ata gitsure c'abanyamahanga n'abakoroni baducuze bufuni na buhoro.

11. Abarundi aho tugeze ntitukiri abo gutamikwa ijambo ngo dupfe guca turimira, kandi Uburundi si agati kari mu ruzi kirebanga. Haba namba, dukikijwe n'ibindi bihugu kandi ibibera kw'isi yose turabikurikirana, tukavyumva, tukabibona. Reka rero dutunganye ivy'Igihugu cacu mu bwigenge bw'igihugu kuko dusa n'abandi kandi natwe ntitwisuka mu biraba ibihugu vyabo.

12. Uburundi ni agati kateretswe n'Imana kadahenurwa n'umuyaga. Ibihuhusi ntivyabuze kubaho, ariko dufashijwe n'Imana Mushoboravyose, Abarundi twajabutse amahoro. Iri ni Iteka ritazokwibagirwa, rikomeye twiteye. Ni Iteka kandi duteye Abarundi bariho uno musi, abazovuka, mbere na ba sokuruza bacu barwaniye Uburundi bakababungabunga, bakubahiriza Iteka n'Itekane ryabwo kuva Uburundi bwiswe Uburundi.

Barundi, Barundikazi Ncuti z'Uburundi;

13. Ibwirizwa Shingiro ni Ibwirizwa rikomeye mu yandi mabwirizwa yose. Igihugu kidafise Ibwirizwa Shingiro nta buzima kiba gifise. Ni umushinge Igihugu kigiye kwubakako. Twagomba rero tubamenyeshe ko Uburundi bugiye kubandanya butera imbere na burya Ingingo zigize Ibwirizwa Shingiro zavuye mu vyipfuzo vy'Abarundi bo Beneburundi, Icibare ciza twagabiwe n'Imana, Umuremyi w'Ijuru n'Isi.

14. Iri bwirizwa shingiro muhejeje kwemeza ni iry'Abarundi mwese kanatsinda nkuko twabivuze ntiryakorotse riva mu kirere ryabonetse habanje kuba ibiganiro vyatunganijwe mu nzego zitandukanye.

15. Abanyepolitike, abari mu mashirahamwe, Abenegihugu, umwe wese yaratererereye ico abona ko cohinyanyurwa mw'Ibwirizwa Shingiro ryahahora. Ni co catumye murara ntibuca maze kuri uyu wa 17 Rusama 2018 mukazinduka kuryemeza ku rugero rushimishije. Ibi bibere abandi icigwa.

16. Twagomba dukengurukire bimwe bivuye ku mutima Abarundi mwese. Baba abatoye EGO, abatoye OYA, abatagize ico barivugako, mwese muri Abarundi. Igihugu c'Uburundi ni Igihugu ciganjemwo demokarasi aho Umurundi wese ashikiriza iciyumviro ciwe mu bwisanzure ntangere ata wandya wangura.

17. Twagomba dushimire abanyepolitike uko bagiye mu mahiganwa bashira mbere Ineza n'Iteka vy'Igihugu cacu na cane cane bisunga ivyavuye mu benegihugu. Guhiganwa mu matora ni ingendo y'igihugu kirangwa na demokarasi. Igikomeye ni ukwubaha no kwubahiriza aho Abenegihugu bashize.

18. Twagomba kandi dushimire Umurwi w'Igihugu ujejwe Amatora n'ibisata biwukomokako mu ntara no mu makomine ukwo bakoze batiziganya ijoro n'umurango kugira dushike ku gikorwa c'iteka nk'iki. Turabakeje rero ku gikorwa bakoreye Igihugu. Imana ibibahezagirire.

19. Turashimira abajejwe intwaro uko babaye hafi mu nteguro z'aya matora na cane cane bagahimiriza abo barongoye kugira bitabe amatora. Turashimiye kandi Urunani rw'Abamenyeshamakuru, eka turashimira uwo wese haba mu buryo bwa hafi canke bwa kure yafashije kugira aya matora agende neza. Mwese Imana ibahezagire.

Barundi, Barundikazi, Ncuti z'Uburundi;

20. Hari ibintu vy'imbonekarimwe icenda bitigeze biba mu matora yose amaze kuba mu Burundi, vyaranze aya matora duheruka kuva mu nteguro, mu myiyamamazo, mu matora nyezina n'inyuma yayo:

Ubwa mbere: Amatora yaranzwe n'umutekano n'umwidegemvyo ntangere.

Ubwa kabiri: Aho guhunga nk'uko twari tubimenyereye mu gihe c'amatora, Abarundi bari barahunze igihugu barahungutse ku bwinshi, n'ubu bakiriko.

Ubwa gatatu: Ibiringo vyose vy'amatora vyaritabiriwe ku rugero rutari bwaboneke, mbere n'abageze mu za bukuru baritavye ivyo biringo ku bwinshi.

Ubwa kane: Abarundi baragaragaje ishaka n'ukwitanga bidasanzwe vyatumye amatora atunganywa n'uburyo buvuye mu Barundi gusa.

Ubwa gatanu: Hari isano rigaragara hagati y'Abarundi baba hanze n'ababa mu Burundi ufatiye ku rugero rw'abiyandikishije no ku bitigiri vyavuye mu matora. Ivyo bigaragaza ko Abarundi baba hanze n'abari mu gihugu bagona rimwe ku bijanye n'ubuzima bw'igihugu cabo.

Ubwa gatandatu: Imirwi itandukanye y'Abarundi yaratererereye ivyiyumviro ku vyohinduka mw'Ibwirizwa Shingiro. Reta ntiyategetse nk'uko vyahora kera, ahubwo yateze ugutwi Abenegihugu.

Ubw'indwi: Mu gihugu cose Abenegihugu benshi bashitse aho amatora abera imbere y'igihe kandi henshi amatora yarangiye imbere y'igihe cari gitegekanijwe.

Ubw'umunani: Yabaye amatora yasengewe bidasanzwe mu nteguro, mu matora nyezina n'inyuma yayo. Tuboneyeho akaryo ko gushimira Igisagara ca Bujumbura ku masengesho nk'ayo catunganije mu kibanza citiriwe ukwikukira ijoro ryose.

Igikorwa nk'ico ntawugikora atamurikiwe n'Imana. Turashimiye kandi Abakozi b'Imana mu madini n'Amashegero atandukanye batahengeshanije gusengera aya matora. Nibabandanye basengera n'ayo twimirije mu mwaka w'2020.

Ubw'icenda:Kuva mu nteguro gushika mu matora nyezina uciye mu myiyamazo, bwabaye ubwa mbere ibiringo vyose birangira ata sanganya ribaye.

Barundi, Barundikazi, Ncuti z'Uburundi;

21. Amatora y'Ibwirizwa Shingiro ararangiye, ariko twagomba kubamenyesha ko mu kiringo kitarenga imyaka ibiri twimirije amatora azoba mu mwaka w'2020, aho Abarundi bazokwitorera inzego zizobarongora mu bisata bitandukanye kandi zizosubirira izihari ubu zavuye mu matora y'2015.

22. Twagomba dufate uyu mwanya ngo dushimire bimwe bigaragara abitabiriye akamo twabateye ko guterera ayo matora. Murazi ko amazi masabano atamara imvyiro, ko ak'imuhana kaza imvura ihise, kandi ko umugabo ahaga amazi ayivomeye. Intambuko rero dushitseko irashimishije kandi turizeza Abarundi ko amatora yo mu mwaka w'2020 azogenda neza cane gusumba ayandi yose amaze gutunganywa mu Burundi, Imana Mushoboravyose niyo Cabona.

23. N'ubwo turiko turashima ikivi ntituragitoza. Ni co gituma tubandanya tubatera akamo ko gukomeza ico gikorwa co gutanga intererano yayo matora. Murazi ko ari igikorwa umuntu akora abikunze ata gahato karimwo.
Ariko vyongeye tuzirikane ko twama turirimba mu ruririmbo ndangabuhizi bw'Igihugu cacu ngo **«Burundi bwacu nkora mutima kuri twese, tugutuye amaboko, umutima n'ubuzima...»** Nimuze rero tubigaragaze mu bikorwa ata n'umwe yigize sindabibazwa canke ntibindaba. Ku kaba nkako, Igihugu ni Umurima Rusangi twasangijwe n'Imana.

24. Nk'uko muheruka kuvyiyumvira bishikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe Ubutunzi, igikorwa co guterera amatora yo mu mwaka w'2020 tugiteje ku ntambwe ishimishije. Muzoja murashikirizwa aho duteje ikivi kugira turimbure isemo tugezeko n'intamwe dusigaje. Twipfuza ko ico gikorwa cotoza isemo vuba uburyo bwose tuzokoresha muri ayo matora bukegeranywa. Abarundi rero tubasavye ko mwotekana mu mitima kuko uwukuravye cane akubwiriza kwambara no kwikwiza.

25. Tuboneyeho akaryo ko gutera akamo abanyepolitike bari hanze ngo baze mu gihugu cabo bitegurire amatora yo mu mwaka w'2020. Murazi ko n'abandi baje kandi turabashimira kuko bariko barafasha mw'iterambere ry'Igihugu. N'abandi rero turabahaye ikaze. Tuboneyeho akaryo ko gusaba Ibihugu bihaye indaro inkozi z'ikibi zikurikiranwa n'Ubutungane bw'Uburundi, na cane cane abatembagaje ubutegetsi mu mwaka w'2015 kuzishikiriza ubutungane bw'Uburundi.
Turabavuniye urugohe, bahitemwo igisumba ikindi hagati y'Inyungu zikomoka ku migenderanire myiza hagati y'ibihugu no gukindikiza inkozi z'ikibi.

26. Uburundi ni Igihugu kirimwo amahoro n'umutekano. Imbibe z'Igihugu ziruguruye kuri uwo wese yipfuza kugaruka mu gihugu ciwe.

27. Turateye akamo abari mu makambi y'impunzi ngo bikubite agashi baze mu gihugu cabo kandi ibihugu vyabakiriye vyorohereze uwo wese yipfuza kugaruka mu gihugu ciwe. Abahunze si inyagano ngo baboherwe mu makambi, uburenganzira bwo gusubira mu bihugu vyabo barabugumana na burya mu Burundi turi mu mahoro.

Kanatsinda turi, kandi twamye turi abanyamahoro, akabi n'akabibi vyamye bizanana hanze y'Igihugu, bigaca bisasirwa indava na ba mpemuke ndamuke na ba sesankuyoze.

Ivyabo vyarazigamwe kandi birarindwa. Twipfuza ko amatora yo mu 2020 yoba impunzi zose z'Abarundi zibishaka zagarutse mu gihugu c'amavukiro nk'uko abandi bariko barabikora. Turabahaye ikaze, kaze murisanze muri benewanyu babakunda; na kare barayamaze ngo «Ntawukunda umwana gusumba nyina aba ashaka kumumuhekura».

28. Ba sokuru barayamaze ngo **«Uwutema urwiwe bamutiza umuhoro»**. Ni co gituma mudakwiye kuza murumviriza amajambo ya ba mpemayuzuye, na ba sesankuyoze. Bobo ikibaraje ishinga ni ugusambura igihugu no gusamaza Abarundi n'amakungu. Ni muve rero ibuzimu muje ibuntu, mutahure gutandukanya iciza n'ikibi, muheze mumenye ibikwiye.

Barundi, Barundikazi Ncuti z'Uburundi;

29. N'aho amatora y'Ibwirizwa Shingiro yagenze neza abansi b'Igihugu bagateterwa, hari ivyaduciriyemwo kandi vyababaje Abarundi n'Abagenzi b'Uburundi. Mwariyumviye ko imbere y'Amatora hari inkorabara zateye mu Ruhagarika muri Komine Buganda, intara ya Cibitoke, mu ntumbero yo kubuza no kuburagiza amatora y'Ibwirizwa Shingiro. Turasubiye guhoza imiryango yahaburiye twongera tumenyesha ko turiko turakorana neza n'Igihugu ca Kongo kugira abo babisha bafatwe bongere bahanwe hisunzwe amategeko.

30. No ku musi w'Amatora nyezina, haribonekeje uturwi tw'injavyi twagerageje gutera uruhagarara, tukibagira ko Beneburundi bamaze gutegera ko atakibarutira iteka n'itekane vy'Igihugu, gutyo bakigira inama yo kubiteramira mu gutesha no gutekeza uwo wese yorota abitosekaza.

31. Turashimiye kandi turakeje Abarundi babaye maso bakamirira kure kandi bagashengeza abashatse gutoba amatora. Turashimiye kandi Abenegihugu bitanze batiziganya kugira amatora agende neza aho mbere bamwe muri bo barengeye inzara n'inyota bagakora ijoro n'umurango kandi batarinze gusaba impembo.

32. Ntitworangiza tudashimiye Inzego z'Igihugu, na cane cane abajejwe Umutekano n'abajejwe Ubutungane ku bukerebutsi no kwitanga basubiye kugaragaza muri aya matora. Turabakeje, nibakomere ku muheto, babandanye kwereka Abarundi n'Amakungu ko Uburundi ari Igihugu ciyubahirije kandi kiramutswa Intahe, Iteka n'Itekane.

33. Abandi dushimira ni abarongoye imigambwe, ariko tukabasaba kurushirizaho kwigisha neza abanywanyi babo. Si agaseseshwarumuri, kubona amajwi yababa ibihumbi 200 aba impfagusa, biragaragaza ko hari Abarundi batigishijwe canke batigishijwe neza ibijanye no gutora. Abanyamigambwe rero basabwe gukorana n'Umurwi ujejwe amatora kugira ngo ntihagire abazosubira kujuragirika mu matora yimirije.

34. Turashimiye Abenegihugu bazindutse bagatora mu gihe categekanijwe, twongera dukebura n'abacerewe ngo bategere ko umwitwarariko w'Igihugu uza imbere y'ibindi vyose.

35. Twagomba kandi dutere akamo Abarundi mwese ko amatora twarimwo arangiye. Nimuze twisubirire mu mirimo yo kwiteza imbere. Mwaramaze

kubona ko ibikorwa vy'iterambere rusangi vyatanze umwimbu ushimishije. Tubandanye rero gufatana munda, dukure amaboko mu mpuzu dukorere mu runani rw'intamenwa kugira tubandanye guteza imbere Igihugu cacu ciza Imana yaduhaye.

36. Dusavye abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi kuvuga ko Uburundi ari nyabagendwa. Amakungu ashishikare aba hafi Abarundi, bishobotse kurusha uko bimeze ubu.

Barundi, Barundikazi Ncuti z'Uburundi;

37. Umukuru w'Igihugu imbere y'uko ashikirizwa icese Amabanga yo kurongora Igihugu, arahira ko azokwubahiriza Ibwirizwa Shingiro mu ngingo zaryo zose. Mw'Ibwirizwa Shingiro ryahahora ari naryo twarahiye twisunze kuwa 20 Myandagaro mu mwaka w'2015, co kimwe na rino Bwirizwa Shingiro twateyeko igikumu uno musi, yose aratomora neza ibijanye n'ibiringo ku Mukuru w'Igihugu c'Uburundi.

38. Twibukije Abarundi n'Amakungu, mw'Ijambo twashikirije mu kurahira uwo musi nyene twavuze tuti:« Intsinzi twaronse muri aya matora ikaba rero ari iy'Abarundi bose, baba abadutoye canke abatadutoye, mbere n'abanyamahanga baba mu Burundi canke bazoza mu Burundi.Twiyemeje kwubahiriza ingingo za Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro ku bijanye na kino kiringo canyuma mwaraye mutwongeye cemejwe na Sentare ya Afirika y'Ubuseruko. Bisigura ko Imana yuguruye atawugara, ntawigerezako. » Ni nkuko Imana yugaye atawugururа.

39. Ba sokuru barayamaze bati**:«Umugabo yihindukiza mu kirago ariko ntiyihindukiza mw'Ijambo»**. Mu karangamutima k'Umugambwe CNDD-FDD watureze ukaturamura, **Ubugabo, Ukudahemuka n'Akarangamutima** ku Bagumyamubanga, ndetse no ku Barundi biyubashe, ka Mboneza mu Mugambwe CNDD-FDD, nagomba menyeshe rero Abarundi n'Amakungu ko tutivuguruza. **Ikiringo cacu kizorangira mu mwaka w'2020**.

40. Muri iyo ntumbero dusavye Abarundi, abanyamahanga n'Amakungu ko mutosubira gusamazwa no kugwa mu mitego y'abatanga insiguro zitari zo ku bijanye n'ibiringo vy'Umukuru w'Igihugu c'Uburundi ahari uno musi, ndetse no kuri rino Bwirizwa Shingiro duteyeko igikumu uno musi. Uwipfuza kwigira kure ibinyoma n'ibihuha yoryisomera.

41. Mubimenye neza kuva uno musi, abihana bihane, **iri Bwirizwa Shingiro ntiryahinyanyuriwe Umukuru w'Igihugu Petero Nkurunziza nkuko**

abansi b'Uburundi bari bamaze igihe babidumisha. Iri Bwirizwa Shingiro ryahinyanyuriwe Ineza, Iteka n'Itekane na Kazoza keza k'Uburundi na Beneburundi.

42. Ku binyerekeye, niyemeje kandi niteguriye neza n'umutima wanje wose, n'ubwenge bwanje bwose, n'inkomezi zanje zose kuzoshigikira Umukuru w'Igihugu mushasha tuzokwitorera mu mwaka w'2020. Ni navyo kandi niyemeje kubandanya kandi nzobandanya kugendera mu gukorera Igihugu cacu no kugiteramira gushika kw'iherezo ryanje ngaha kw'isi.

43. Iyi ngingo ni Integuro nziza y'Imana Mushoboravyose ku gihugu cacu, no kuri jewe nyene ubwanje. Icubahiro kibe ic'Imana Mushoboravyose ubu n'ibihe vyose. Imana Mushoboravyose niyo cabona.

Ni harambe Ibwirizwa Shingiro rishasha;

Ni harambe Abarundi n'Uburundi;

Imana Mushoboravyose ihezagire Uburundi; n'Abarundi;

Murakoze!